**Bible lessons.** **Lesson 16** **LESSONS FROM SINNING SAINTS**

**Genesis 9:18-28**

**Memory verse: "For the time has come for judgement to begin with the household of God." 1 Pet. 4: 17**.

**IVYAHA VY'ABANTU B'IMANA.**

Icirwa ca 23

**Itang. 9:18-28**

Umurongo ngenderwako : **«** ***Kuko igihe gishitse c'uko urubanza rutangurira mu b'inzu y'Imana.*** **»** 1Pet. 4:17.

**I. Intangamarara**

Haheze imyaka irenga 3300 isi ibayeho kandi umwuzure wari wararangiye Nowa n'umuryango wiwe bamaze kuva mubwato bibera mw'isi. Bararima bareza, nk'icago, Nowa agana umuzabibu anwa inzoga yawo araborerwa uduhuzu tumuvako ari mw'ihema. Umwe mu bahungu biwe Hamu se wa Kanani arinjira amubona ubwambure arasohoka abibwira benewabo. Bibabaza se ahitamwo kumuvuma kuko atamubikiye akabanga. Nowa yamaze imyaka 950.

**II. Ihuriro z'icaha ca Nowa n'ica Adamu na Eva**

1) Nyuma yo gukora icaha kwa Adamu na Eva, babonetse bambaye ubusa ; na Nowa nawe amaze guhimba umuvinyu, yabonetse ari gusa. 2) Bamaze gucumura, bose ntawashoboye kwiyambika. Adamu yambitswe n'Imana, Nowa yambikwa na Yafeti umuhungu wiwe.
3) Nyuma yivyo vyaha vyose ; hakurikiye imivumo. Ikibabaje Nowa amaze gukora ivyaha (kuborerwa no kuba amenya) ntiyatinye kwatagura umuvumo no guhezagira abo ashatse. Nowa umuvugabutumwa kandi uwari yishimiwe n'Imana abaye imborerwa kandi ubuhuzu bumuvuyeko aboneka ari gusa. Uwuteye isoni kuraba.

**III. Insiguro y'ico Hamu yakoze**

Hamu yararavye, aritegereza se ari gusa aca asoha kubibwira benewabo bose hanze inkuru y'agaterasoni iramenyekana hose kugera naho yandikwa no muri bibiliya, Hamu vyaboneka kuri we ari inkuru imutwengeje, uku ntikwari ukumaramaza se gusa, ariko kwari ukumuseka ngo < *raba wamuvugabutumwa*

*Imana yemera ivyo akoze*> iyi ni kameremere ihora mu muntu. Kunezerererwa ikibi kibaye k'uwundi. Ingaruka ni ukuba ikivume.

Ukabona icago kibaye kuri mweneso reka kumwararaza mu gisagara, mushireko uduhuzu, umuhanure, umusengere. Hari nabubahuka bakama barangaza abo bubakanye. Iyo ni impwemu ya Hamu.

**IV. Insiguro yico Shemu na Yafeti bakoze.**
Shemu na Yafeti bumvise iyi nkuru mbi kuri se, iciyumviro canyarutse kwari uguhisha ubwambure bwa se. Nowa abimenye vyose arabahezagira. Umurongo wa 26. Mu muryango wa Yafeti niwo Yakobo yavutsemwo ari nawo Messiye yavukiyemwo kandi ni nawo uvamwo abahindi begereye Uburayi ari naho abanyamerika benshi bavuyemwo.  Isi iyo itaronka uruganwe ruva kui Yafeti iba yarasanganguritse. Barondera Imana y'ukuri bakayimenya ikabana nabo bakayigisha abandi batarayimenya. Uwakijijwe wese aharurwa mu muryango w'abanyamugisha.

**V. Urukwegane rw'icaha c'umukuru mu muryango.**
Nowa kunywa kuborerwa → kwerekana ubwambure →ubu maramare →umuvumo wa Hamu.  Akandi karorero ; 2Samw 11 :1-27. Dawidi kwitegereza umugore ariko yoga→ivyipfuzo vy'ubusambanyi→kumukoresha icaha kunguvu→gukura umusoda k'urugamba →gushuka umukuru w'ingabo kwica umusoda wiwe n'abandi benshi bapfana →gucura umugore wa Uriya kunguvu→impfakazi n'impfuvyi benshi,  ….. umukuru mu muryango canke w'ishengero iyo abaye umunyavyaha arakwegera  abari inyuma yiwe ivyago.

Iki kiri mubituma Imana ibuza abana bayo kunywa ibiboreza. Ibasaba kuzura Mpwemu Yera. Aha ntivyoshoboka ko umunt umwe yuzura  Mpwemu Yera ngo yongere yuzure ikiboreza icarico cose

**Uguhamagara kw'Imana.**
Imana niyo iriko ikorera mu bugingo bwawe kandi ni wewe yipfuza ko umubera umunezero n'umuco mw'isi. Kameremere y'umuntu irahera iyo yejejwe n'amaraso ya Yesu. Kandi iyo imigenderanire yawe na Yesu icumbagira, urabimenya. ico wokora ni ukwemera, ukatura, ukavavanura n'icaha cose. Imana irakubabarira Yes.1 :18 « ***Ehe ni muze, twitature, niko Uhoraho avuze : naho ivyaha vyanyu vyotukura tukutuku, bizokwera derere nka Shelegi. Naho vyotukura nk'agahama, bizohinduka bise n'ubwoya bw'intama y'umweru.*** »
Niba uri mu rusengero rw'Imana, reka gukora ivyo abanyamahanga bakora. Ko utovyishoboza, wohaguruka ugasenga.